LIGUE BURUNDAISE DES DROITS DE L'HOMME
"ITEKA" association sans but lucratif
Agréée par l'ordonnance ministérielle n°530/0273 du 10 novembre 1994 revoyant l'ordonnance 550/ 029 du 6 février 1991
Membre affilié de la fédération Internationale des Ligues des Droits de l'Homme (F.I.D.H)

**LBDH/ 007 /2026** Kampala,uwa8 Ntwarante 2026

**ITANGAZO RY'UMUHARI ITEKA KU MUNSI MUKURU MPUZAMAKUNGU W'AGATEKA K'UMUKENYEZI : INDONGOZI NSHASHA ZITEGEREZWA GUSHIRA IMBERE AGATEKA K'UMUKENYEZI**

Kuwa 08 Ntwarante ukwo umwaka utashe,isi yose irahimbaza umusi mpuzamakungu wahariwe agateka k'umukenyezi,ushira imbere ukurwanira uburenganzira bw'umukenyezi na cane cane mu ntumbero yo gukuraho ubusumba sumbane bw'ibitsina. Umunsi mpuzamaku w'agateka k'umukenyezi woba watanguye mu myigaragamvyo y'abakenyezi mu ntango y'ikinjana ca 20 i Buraya no muri Reta zunze ubumwe z'Amerika basaba,gukora mu buryo bubereye hamwe no gutora.

Uyu mwaka 2026, icivugo ni **Uburenganzira.Ubutungane.Ibikorwa.ku bakenyezi bose n'abigeme** . Mu Burundi uyu munsi ushitse inyuma y'amezi ashika 8 igihugu kiramutswa abatowe bashasha mu makomine no mu nama nshingamateka kandi umugambwe uri ku butegetsi wihaye ibice 96,7 kw'ijana vy'abatowe,uwovuga ko uwo mugambwe ugenzura vyose ntiyoba arengeje urugero.

Kuri ubwo,umuhari Iteka wrakwirikiranye cane uko ibintu vyagiye bikurikirana ku vyerekeye agateka ka zina muntu kugira urabe ico inzego zigishushe mu nzego zizanira abarundi bamaze imyaka 10 mu mwiheburo kubera ubwicanyi,aamabi afatiye ku gitsina,ukunyuruzwa,ugukuborezwa igufa ,uguhagarikwa hamwe no gupfungwa bikabije bidakurikije amategeko.

Kubw' ivyo,icizere gitera gihera kubera naho hari ingorane zijanye n'akazi ko kukurikiranira hafi ihonyangwa ry'agateka ka kina muntu mu Burundi,umuhari Iteka mu mezi 8y'inyuma y'amatora yo mu makmine hamwe n'abashingamateka,waratohoje n'imiburiburi abantu 267 bishwe harimwo 167 bisigura 63% batowe ibiziga mu burere butandukanye bw'igihugu,114 bakorewe amabi afatiye ku ggitsina harimwo 80 bafashwe ku nguvu,34 banyurujwe hamwe n'ababuzwe irengero,23baborejwe igufana ,74 bahagaritswe kandi bagapfungwa biteye kubiri n'amategeko.

Kuri uyu munsi,Uburundi bwifatanya n'amakungu kugira bwibuke uwu munsi uhambaye.Ariko ivyerekeye agateka k'umukenyezi mu Burundi biracariteye amakenga kubera naho tutashoboye gutohoza amabi yose y'ihonyangwa rya gateka k'umukenyezi yakozwe mu Burundi, mu kiringo c'amezi 8 inyuma y'amatora yo mu makomine n'abashingamateka ,kuva kuwa 01 Mukakaro 2025 gushika kuwa 28 Ruhuhuma 2026,umuhari Iteka warashoboye guharura abagore n'abigeme 66 bishwe,abagore n'abakobwa 8 banyurujwe hamwe n'ababuzwe irengero,Abakenyezi n'abigeme114

LIGUE BURUNDAISE DES DROITS DE L'HOMME
"ITEKA" association sans but lucratif
Agréée par l'ordonnance ministérielle n°530/0273 du 10 novembre 1994 revoyant l'ordonnance 550/ 029 du 6 février 1991
Membre affilié de la fédération Internationale des Ligues des Droits de l'Homme (F.I.D.H)

bakorerwa amabi afatiye ku gitsina harimwo 80 bafashwe ku nguvu,umugore 1 yahohotewe,abagore 10 n'abakobwa bahagaritswe bidakurikije amategeko. Ku vyerekeye gufatwa ku nguvu,kuri bose bashurashujwe 80, abana bato ni 74.

***Kubw'ivyo,umuhari Iteka usaba Reta y'Uburundi hamwe n'abatowe n'abanyagihugu :***

- Gukingira umukenyezi ihohoterwa ry'agateka ka zina muntu;
- Kwubahiriza agateka k'umukenyezi hamwe no guhagarika amabi yisubiriza mu gihugu;
- Kwubaha no gushira mu ngiro amategeko ajanye no gukingira hamwe no guteza imbere agateka ka zina muntu Uburundi bwashizeko umukono ;
- Gushiraho mu maguru masha umugambi wo kurandurana n'imizi amabi afatiye ku gitsina akorerwa abana bato vyabaye iciro ry'umugani mu gihugu.

***Ku bafasha muvyo ubuhinga n'uburyo Reta y'UBurundi harimwo NU, UE hamwe n'abaserukira ibihugu vyabo mu Burundi :***

1. Gushigikira utwigoro tw'Umuhari Iteka hamwe n'ayandi mashirshamwe aharanira agateka ka zina muntu mu vyerekeye gukwirikirana ihonyangwa ry'agateka ka zina muntu mu Burundi

2. Gukoresha ububasha bwabo mu kugondoza abarongozi b'Uburundi kugira bubahirize agateka ka zina muntu kandi bongere basezerere ukudahana

**Kubwo umuhari Iteka**

Ligue Burundaise des Droits de l'Homme
Bujumbura
ITEKA

**Anschaire NIKOYAGIZE**

Umukuru w'umuhari

4, Avenue des Euphorbes, B.P.177 Bujumbura-Burundi, Tél. :(257) 22228636, Fax :(257)22220004
E-mail :info@ligue-iteka.bi, Website : https://www.ligue-iteka.bi

N° 007 /2026